Maine Equal Justice
People Policy Solutions

Itorwa ry'abimukira bahabwa imfashanyo yo kwivuza MaineCare

## MaineCare ni iki?

MaineCare ifasha abantu bahembwa amahera make kuriha ibijanye no kwivuza, nko kubonana na muganga canke kugura imiti.

## Abimukira bamwe bamwe bahebwa amahera make barashobora kuronswa MaineCare.

- Impunzi n'abahawe ubuhungiro barashobora kuronka MaineCare yuzuye.
- Abantu bafise uburenganzira bwo kuba mugihugu burundu (LPR, Lawful Permanent Resident) burenza imyaka 5 barashobora kuronka Mainecare.
- Niwaba wibungenze canke ufise imyaka y'amavuko iri musi ya 21, ukaba uri muri reta Zunze Ubumwe za Amerika m'uburyo bwemewe n'amategeko, urashobora kuronka MaineCare.

## Bamwe bamwe mubimukira ntibashobora kuronka MaineCare:

1. Ufise uburenganzira bwo kuba muri Amerika burundu utaramara imyaka 5 mugihugu (ukaba utari Impunzi canke uwahawe ubuhungiro);
2. Warasavye uburenganzira bwo kuba muri Amerika burundu ukaba ukirindiriye inyishu;
3. Wasavye ubuhungiro canke ubundi burenganzira bwo kuguma mugihugu vyemewe n'amategeko ukaba ukirindiriye inyishu;
4. Ufise ubundi burenganzira budasanzwe bwo kuba mugihugu; canke
5. Ata mpapuro ufise zikwemerera kuba mugihugu mumategeko.

| |
|---|
| Ukaba uri muri umwe muri iyi migwi ivuzwe aho hejuru, usavye MaineCare urashobora kuronka ikarata ya MaineCare ikurihira mu igihe urwaye giturumbuka. |

## MaineCare y'Ibihe vya giturumbuka ni iki (Emergency MaineCare)?

MaineCare y'Ibihe vya giturumbuka yishura mugihe urwaye giturumbuka gusa, bikenewe ko bapfupfahaza indwara igufashe bukwi na bukwi. MaineCare y'Ibihe vya giturumbuka ntiriha ibijanye no kwibaruka.

Ukaba ufise ibibazo bijanye n'ivyo ikarata yawe ya MaineCare iriha, urashobora guhamagara igisata c'abanywanyi ba MaineCare kuri 1-800-977-6740.

Ukaba udashobora kuronka MaineCare, urashobora kwemererwa imfashanyo yo kwivuza:

- Assurance yo kwivuza (Health Insurance Marketplace) k'urubuga healthcare.gov ishobora kugufasha kuriha assurance niwaba uri muri amerika m'uburyo bwemewe n'amategeko. Ja k'urubuga enroll207.com niwaba ukeneye kumenya vyinshi kumfashanyo ushobora kuronka canke uhamagare terefone Ifasha Abashaka Kugura Assurance yo Kwivuza kugiciro Gito (Consumers for Affordable Healthcare's Help Line) kuri 1-800-965-7476

- Ibiro vya CarePartners kuri 877-626-1684 muntara za Cumberland, Knox, Lincoln, Oxford, Waldo na York

- Ibiro vya MedAccess kuri 877-275-1787 muntara za Cumberland, Knox, Lincoln, Oxford, Waldo na York

- Kuvurwa ku buntu mubitaro (Hospital Free Care) – Nta muntu n'umwe ashobora gusubizwa inyuma atavuwe aje kwivuza mu igisata c'indembe c'bitaro. Ni itegeko. Niwaba uhembwa amahera make, ibisata bimwe bimwe vy'ibitato bitegerezwa kukuvura ku buntu kandi ntibashobora kubwankira kubera statut yawe y'ubwimukira. Ibitaro ivyo ari vyo vyose muri Maine bitegerezwa kuguha amakuru ajanye na programme yavyo yo kuvura k'ubuntu.

Kubibazo vyerekeye programmes za reta, rondera:

Maine Equal Justice (MEJ)
Nomero ya terefone 207-626-7058, wongereko 205, canke uje ku rubuga ngurukanabumenyi
maineequaljustice.org/about-us/contact-us/ kandi uhasige ubutumwa

Kubibazo bijanye na statut y'ubwimukira, ushobora rondera:

Immigrant Legal Advocacy Project (ILAP)
Nomero ya terefone 207-780-1593 canke terefone bahamagara ku buntu 1-800-497-8505
Addresse e-mail: ilap@ilapmaine.org